Uwupfuye atigeze abangikanya Imana Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa, ategerezwa kuzokwinjira mu Bwami bw'ijuru, nayo uwupfuye yarabangikanije Imana Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa, ategerezwa kuzokwinjira mu muriro

Mu vyakiriwe na Jaabiri (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Umusi umwe hari umugabo yaje ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca amubaza ati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ni ibihe bintu bibiri bituma umuntu ategerezwa kwinjira mu Bwami bw'ijuru canke mu muriro?". Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica imwishura iti: "Uwupfuye atigeze abangikanya Imana Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa, ategerezwa kuzokwinjira mu Bwami bw'ijuru, nayo uwupfuye yarabangikanije Imana Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa, ategerezwa kuzokwinjira mu muriro"".

[صحيح] [رواه مسلم]

Hari umugabo yabajije Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku bintu bibiri: Igitegerezwa kwinjiza umuntu mu Bwami bw'ijuru n'igitegerezwa kwinjiza umuntu mu muriro. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaciye yishura nya mugabo ko igituma umuntu ategerezwa kwinjira mu Bwami bw'ijuru, ari ukuba umuntu yapfuye yiyegereza Imana Allah mu vyo akora vyose akanayisenga atayibangikanya n'ikintu na kimwe mu biremwa; n'uko igituma umuntu ategerezwa kwinjira mu muriro, ari ukuba umuntu yapfuye abangikanya Imana Allah n'ikindi kintu mu biremwa, maze akayigirira mu biremwa ikingana na Yo mu bumana bwayo, canke mu bubungabunzi bwayo bw'ibiremwa, canke mu mazina n'amatazirano yayo.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/65008